**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°15 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 17 NTWARANTE 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 17 Ntwarante 2021, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama itegura iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 12 Ntwarante 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi:

1. **Integuro y'ibwirizwa rishinga amafaranga Reta izokoresha muri uyu mwaka w'i 2021 ushira uw'i 2022,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutegekanya imigambi y'iterambere.

Iyi nteguro y'ibwirizwa yatunganijwe hisunzwe ibiza imbere y'ibindi vyashikirijwe n'ubushikiranganji bunyuranye n'izindi nzego z'igihugu.

Iteguwe kandi mu gihe ari ukubandanya kwigengesera mu gukoresha uburyo bwa Reta, mu gushira imbere ibikenewe kandi vyihuta kuruta ibindi. Ihangiro ni uko ubutunzi bwokwiyongera ku rugero rungana na bitatu n'ibice bitandatu kw'ijana (3,6% ) mu mwaka w' 2021 ushira uwa 2022.

Iteguwe kandi mu gihe ubutunzi butifashe neza kw'isi yose kubera ingaruka z'ikiza ca koronavirisi.

Iyi nteguro y'amahera Reta izokoresha ije kandi mu gihe Reta igeze ku mwaka ugira gatatu ishira mu ngiro Umugambi w'igihugu w'iterambere, yongera

itunganya neza ivyerekeye ubutunzi bw'igihugu kugirango butere imbere, abantu bose baronke ubuzi, mu gushira uburyo cane cane mu bisata biza imbere y'ibindi mu guteza imbere ubutunzi.

Ifatiye kuvyashizwe imbere y'ibindi n'umugambi w'igihugu w'iterambere. Mu vyo iyi nteguro ishira imbere y'ibindi harimwo ibi bikurikira :

- Gushigikira imigambi y'iterambere y'amakoperative yo ku mitumba.
- Kugabanura ubusumbasumbane bw'imishahara mu bisata vya Reta.
- Gushiraho ikigega co gusanura amabarabara.
- Kubandanya umugambi wo kuronsa abarimyi ifumbire ku giciro gito.
- Kubandanya kwubaka amazu Reta yokoreramwo.
- Kugwiza imbuto no kuzironsa abarimyi n'aborozi ku giciro gito.
- Kuronsa abakozi igisata c'indero n'igisata c'ubuvuzi.

Mu ntumbero yo kuduza amahera yinjira mu gihugu, hazojaho ingingo zizotuma ivyategekanijwe bishirwa mu ngiro. Igisata kijejwe kwegeranya amatagisi n'amakori ya Reta (OBR) kizokora ibi bikurikira :

- Kwagura ahatozwa amakori n'amatagisi.
- kurwanya urudandazwa rutemewe n'amategeko mu gukurikirana ibidandazwa hakoreshejwe ubuhinga bwa none kuva bicinjira mu Burundi gushika aho bitorezwa amakori, no gushiraho imashini zibisuzuma bitarinze kuva mu miduga ibipakiye.
- Kwishuza ibirarane.
- Gukurikirana neza ibijanye no kworohereza ku makori n'amatagisi (exonérations), n'ibindi.

Muri uyu mwaka w'i 2021 ushira uwa 2022, uburyo bwose Reta izokwegeranya buzongana na miliyaridi 1 557,5 z'amafaranga y'amarundi kuri miliyaridi 1 422,81zari zegeranijwe mu mwaka w' 2020 ushira uwa 2021, ni ukuvuga ko aziyongera ku rugero rwa 9,5 kw'ijana.

Ayakenewe kuzokoreshwa nayo, avuye kuri miliyaridi 1 576,03 z'amafaranga y'amarundi yari akenewe mu mwaka w'2020 ushira uwa 2021 aja kuri miliyaridi 1 708,4 z'amafaranga y'amarundi muri uyu mwaka w'2021 ushira uwa 2022, ni ukuvuga ko yiyongereye ku rugero rwa 8,4 kw'ijana.

Igihengeri ku mwaka w' 2021 ushira uwa 2022 kingana na miliyaridi 150,9 z'amafaranga y'amarundi kuri miliyaridi 153,2 z'amafaranga y'amarundi zo mu mwaka w'2020 ushira uwa 2021, ni ukuvuga ko ico gihengeri kigabanutse ku rugero rwa 1,5 kw'ijana.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarashimye ingene yateguwe neza ica irayemeza, muvyo yasavye hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Gukorana n'ubushikiranganji bunyuranye kugirango ivyibagiwe canke vyasimbwe kandi vyari ku rutonde bishirwe muri iyo nteguro.
- Gukosora iyo nteguro kuko hari aho biboneka ko uburyo bwarungitswe ahatazorangurirwa ibikorwa.
- Gukurikirana uburyo bwategekanijwe ngo bukoreshwe neza kugirango Reta ishike kuvyo yiyemeje kandi n'ico bwakoze kigaragare.
- Kutarenza uburyo bwategekanijwe kandi ibikorwa bigakorwa ku gihe.
- Gushiraho tagisi ku modokari izofasha gusanura amabarabara(redevance routière).
- Gushiraho tagisi ku rudandazwa ruca mu buhinga ngurukanabumenyi (transactions électroniques).
- Kureka gusohora uburyo mu kurondera ahandi ivyo Reta ishobora kwironkera yonyene( akarorero : nk'aho Reta ikota amazu kandi hariho ayayo ibisata vyayo bimwe bimwe vyokoreramwo).
- Gukora ibishoboka mu kugabanya ideni Reta ifata mu gihugu, bishobotse mbere iryo imaze gufata rigatangura kurihwa.

2. **Integuro y'igitabu cerekana ingene umugambi wo guteza imbere ubudandaji uzoshirwa mu ngiro ku kiringo co kuva mu 2021 gushika mu 2025,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu n'ingenzi

Umugambi wo guteza imbere ubudandaji mu Burundi urahari kuva mu mwaka w'2015, ariko ntihigeze hategurwa ingene woshirwa mu ngiro.

Iki gitabu c'ingene woshirwa mu ngiro gishikirijwe rero ni nk'urupapuro rw'inzira rugaragaza ingene icemezo Reta yafashe kizoshirwa mu bikorwa, mukwerekana ibizorangurwa, ikiringo bizokorwamwo, abo bizoba vyega n'uburyo bisaba.

Biraheza bigafasha igihugu kugirango igisata c'ubudandaji kibe kirumara, kibe isoko ry'iterambere ry'ubutunzi koko.

Iki gitabu kizokwisungwa n'abo bose bashaka gukorera canke gufasha mu gisata c'ubudandaji, mu kiringo co kuva mu 2021 gushika mu 2025.

Iki gitabu gitanga intumbero munani arizo z'izi :

- Kugumana akarangamutima mu rudandazwa no gukingira abaguzi n'abacuruza.
- Gukurikirana neza ko ibidandazwa vya nkenerwa biboneka mu gihugu.
- Gukora ibishoboka kugirango urudandazwa rwinjize amahera menshi.

- Gukomeza ibisata bijejwe gusuzuma ko ibidandazwa bitagira utunenge.
- Gukomeza urudandazwa rukoresha ubuhinga ngurukanabumenyi (commerce électronique).
- Kworohereza abanyamitahe.
- Gukorana n'abandi mu vy'ubudandaji.
- Guteza imbere ugutwara abantu n'ibintu no guhanahana amakuru.

Uburyo bukenewe kugirango uwo mugambi ushirwe mu ngiro bungana na miliyoni cumi na zine n'ibihumbi amajana ane na mirongo itanu z'amadolari y'Abanyamerika (14 450 000 US$).

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro y'igitabu, yarayemeje, bimwe muvyo yasavye akaba ari uko uburyo bukenewe bwoharurwa mu mahera y'amarundi, kandi hakerekanwa uburonderwa kuri Reta n'uburondererwa ahandi.

3. **Integuro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya Ubuyobozi mu ntara bujejwe iterambere ry'ingo n'imibano,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe gushigikirana, ibibazo vy'imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira.

Ibigo bijejwe iterambere ry'ingo n'iterambere rusangi vyagiye birahindagurika mw'itunganywa ryavyo, ivyo bituma bitarangura neza imirimo yavyo.

Ariko vyaribonekeje ko kugirango imigambi n'ibikorwa ubwo bushikiranganji bujejwe birangurwe neza, biva ahanini k'ukugene ivyo bigo biba biriko birakora.

Uko biriko birakora ubu, biraboneka ko hari agahaze kubera uburyo budakwiye haba muvyerekeye ibikoresho, amafaranga, n'abakozi, be n'uko bihabwa uruhara rudashemeye mu gikorwa bihamagarirwa.

Kubera bijejwe kwigisha no guhimiriza ibijanye n'iterambere rusangi n'imibano mu gihugu, birakenewe ko imirimo, uruhara n'ico ivyo bigo bihamagarirwa bisubira bigatunganywa neza, kugirango navyo bishobore gukora neza.

Ni muri iyo ntumbero itegeko n°100/084 ryo ku wa 12 Gitugutu 2020 ritunganya ubushikiranganji bujejwe gushigikirana, ibibazo vy'imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira rihindura ivyo bigo rikabigira Ubuyobozi bujejwe iterambere ry'ingo n'imibano.

Iyi nteguro ije gutunganya ingene ubwo buyobozi bwokora.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yasanze ikwiye gusubirwamwo neza kugirango yisunge ingene ibisata vyo muri ubwo

bushikiranganji bitunganijwe, no kuraba ko ubuyobozi bujejwe iterambere ry'ingo n'imibano ku rwego rwa Komine buvugwa muri iyo nteguro bwategekanijwe n'itegeko ritunganya ubushikiranganji. Ikindi naco ni uko iyo nteguro itoza isaba uburyo budasanzwe buri mu mahera Reta yategekanije gukoresha.

Iyo nteguro izoheza igarukanwe mu nama nshikiranganji mu kiringo c'indwi zibiri.

4. **Integuro y'itegeko rishinga imirimo rikongera rigatunganya Ubugenduzi bukuru bw'abakozi ba Reta n'akazi,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi

Iyi nteguro ije gushira mu ngiro itegeko n°100/060 ryo ku wa 24 Ndamukiza 2020 ryerekana imirimo y'ibisata bijejwe isuzuma mu buzi bwa Reta mu bijanye n'intwaro ibereye, aho rivuga ko igisata cose ca Reta gitegerezwa gutegekanya murico nyene urwego rujejwe kugisuzuma.

N'itegeko n°100/083 ryo ku wa 12 Gitugutu 2020 ritunganya Ubushikiranganji bw'abakozi ba Reta n'akazi bwarategekanije ishirwaho ry'Ubugenduzi bukuru bw'abakozi ba Reta n'akazi.

Iyi nteguro rero ije kwisunga ibiri muri ayo mategeko.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora mu duce tumwe tumwe.

5. **Integuro y'itegeko ryaka ishirahamwe CVMR Energy Metals Burundi surl uruhusha rwo kurondera ubutare bw'ifeza, titane na vanadium mu karere ka Mukanda** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'Amazi, Amasoko Ntanganguvu, Ubutare n'Agataka**.**

Akarere ka Mukanda kahawe iryo shirahamwe n'itegeko n°100/219 ryo ku wa 24 Munyonyo 2017 ngo rirondereyo ubwo ubutare.

Amasezerano ari hagati y'iryo shirahamwe na Reta y'Uburundi yerekeye kwerekana ko muri ako karere ka Mukanda kangana na kirometero kwadarato ijana na mirongo ine na zine (144 $km^2$) hari ubutare bw'ifeza, titane na vanadium bushobora gucukurwa.

Urwo ruhusha rwo kurondera ubwo butare rwari kumara ikiringo c'imyaka itatu, naco kikaba cararangiye.

Vyaragaragaye ko iryo shirahamwe ritigeze ryubahiriza amasezerano ryateyeko umukono.

Iryo shirahamwe ntiryigeze rigaragaza ko ryipfuza kwongerwa ikiringo kandi rikaba ritagira n'icicaro kizwi ngaha mu Burundi canke uwurihagarariye aha mu gihugu.

Nico gituma iyi nteguro y'itegeko ryaka iryo ishirahamwe uruhusha rwo kurondera ubutare bw'ifeza, titane na vanadium mu karere ka Mukanda yashikirijwe.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro ikanayitosora, yarayemeje.

6. **Integuro z'amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi n'Ishirahamwe Songa Energy yerekeye kwubaka ingomero zibiri z'umuyagankuba ku nzuzi Mulembwe na Ruvyironza,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'Amazi, Amasoko Ntanganguvu, Ubutare n'Agataka**.**

Umwe mu migambi Reta yashize imbere ni kugwiza umuyagankuba mu gihugu.

Uruhara rw'abikorera ivyabo mu guteza imbere igisata c'umuyagankuba ni runini kugirango abo bose bawipfuza bashobore kuwuronka.

Ni muri iyo ntumbero ishirahamwe Songa Energy Burundi n'Ubushikiranganji bw'Amazi, Amasoko Ntanganguvu, Ubutare n'Agataka bashize umukono k'urwandiko rw'amasezerano yo kwubaka ingomero zibiri z'umuyagankuba ku nzuzi Mulembwe (9Mw) na Ruvyironza (1,65Mw).

Inama nshikiranganji yari yarihweje izo nteguro ica isanga birakenewe ko abahinga bosubira bakazihweza neza, ivyo bashimikirako bikaba ari nk'ibi :

- Gusubira kuraba ko amasezerano yahinyanyuwe neza.
- Kuraba ko igiciro c'umuyagankuba caharuwe neza hafatiwe ku butunzi kama bw'igihugu butegerezwa guharurwa nk'umutahe ni ukuvuga amazi, agataka, n'ibindi.
- Gutegekanya, mu mwanya wose ruzoba ruriko rurakoreshwa, uburyo buzosanura urwo rugomero, n'ibindi.

Inama nshikiranganji yari iramutse yihweza inyishu zashikirijwe kuri ivyo yari yasavye.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino inyishu zatanzwe ku makenga yari yashikirije, yasanze zishemeye, ica iremeza izo nteguro, na cane cane ko uwo munyamutahe yemeye gutegekanya, mu myaka mirongo ibiri n'itanu azoba ariko

arakoresha izo ngomero, amadolari y'Abanyamerika angana na miliyoni zine, ibihumbi amajana indwi na mirongo itatu n'umunani, n'amajana atanu na mirongo itandatu n'icenda azoba agenewe gusanura urwo rugomero.

.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 18 Ntwarante 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta kaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE